INAMA NKURU Y'ABASHINGANTAHE
CONSEIL NATIONAL DES BASHINGANTAHE
B.P : 1063 Bujumbura, Tel : (+257) 79 910 345
Email : abashingantahe.bi@gmail.com, www.Abashingantahe.bi

*Icegeranyo c'ihuriro ry'Abashingantahe ba Bujumbura ryo kuwa 5/12/2025*

**Intangamarara** : Kw'igenekerezo rya 5/12/2025 harakoraniye mu nyubakwa za CELAB Campus Mutanga y'Ishure rya Kaminuza y'Uburundi, Abashingantahe bo mu Gisagara ca Bujumbura.

Iryo huriro ryakoranije abaserukira Inama nshigwabikorwa y'Inama Nkuru y'Abashingantahe, Abashingantahe baserukira Inama Nyobozi y'Ikigo Shigikirintahe, Abashingantahe bari mu Nama Nyobozi mu Gisagara ca Bujumbura, Abashingantahe baserukira Inama zo mu ma Zone y'Igisagara ca Bujumbura.

Urutonde rw'Abashingantahe bitavye iryo huriro ruri inyuma y'icegeranyo. Hakaba hitavye 75 ku Bashingantahe 80 bari batumiwe.

**Intumbero yiyo nama**: Muri iyo nama, Abashingantahe barongoye abandi mu Nama Nkuru n'abarongoye abandi mu Gisagara ca Bujumbura bifuza ko Abashingantahe bohura ngo bamenyane bongere baganire ivyerekeye ibikorwa vy'iterambere.

**Ijambo ngenderwako** ni : *Dutsimbataze akarangamutima k'Ubushingantahe, imibano n'iterambere ry'Igihugu.*

**Ingene ibikorwa vyagenze** :

**Kugurura inama**

Mukugurura iryo huriro havuzwe amajambo akurikira :

(1). Ijambo ry'ikaze ryavuzwe n'Umushingantahe arongoye abandi mu Gisagara ca Bujumbura

(2). Ijambo ry'uwurongoye Ikigo Shigikirintahe abereka intumbero y'iryo Koraniro; arongera arashikiriza impanuro Abashingantahe bokwama bagendeyeko (1°Gukunda no gukundisha Urwego rw'Abashingantahe, 2° Kubahiriza umwanya mwasezeranye n'abandi, 3°Kujana n'ibihe mu gukoresha uburyo ngurukana bumenyi bwa none).

(3). Ijambo ry'Uwurongoye Inama Nkuru y'Abashingantahe ryo kugurura ibikorwa vy'Abashingantahe batumiwe. Ahejeje kuramutsa abitavye inama, gushimira abateguye ihuriro hamwe n'abaryitavye bose yaciye abifuriza ibikorwa vyiza.

**Ibikorwa nyezina vy'ihuriro**

Ibikorwa nyezina vyatangujwe no kwerekana ivyavuye muri rusansuma y'Abashingantahe b'Intara ya Bujumbura Mairie bikaba vyashikirijwe n'Umushingantahe NIYONGABO Jean Baptiste. (Rusansuma yari yasabwe intara zose kuva mu kwezi kwa 5/2025 mugabo vyaragoranye kuboneka ku ntara nyinshi).

Hakwirikiye ibiganiro bitandatu vyaremeshejwe n'Abashingantahe bakurikira :

1. **Umushingwamanza KANEZA Joselyne** yatanze ikiganiro cerekeye inyifato y'Umushingantahe mu bihe vya none

2. **Umushingantahe TEGERA Catherine** yatanze ikiganiro ku vyokorwa kugire Abashingantahe bajane n'ibihe.

3. **Umushingantahe NIYONGABO Jean Baptiste** yatanze ikiganiro cerekana akamaro ko gukorera ku mugaragaro no kumenyesha abanywanyi ivy'akozwe vyose.

Mu nyuma harashikirijwe impanuro zijanye n'ibihe vy'ubu, zibereye Umushingantahe zatanzwe **n'Umushingantahe Patiri Ntabona**

Adriyano. Uwo Mukurambere tumukesha vyinshi nko mu kwandika ibitabo vyerekeye Abashingantahe no kunagura Urwego rw'Abashingantahe kuva mu 2001. Ubu naho akaba aremesha ibiganiro muri « BWENGE NYABWO » ku Mutanga (Paroisse Esprit de Sagesse) iminsi yose yo kuwa 6 kuva isaha zibiri n'igice (8h30) gushika isaha zine (10h)

4. **Umushingantahe NSABIMBONA Yves** yatanze ikiganiro cerekeye Iterambere k'Umushingantahe.

5. Umushingantahe NSAVYIMANA Remy yatuganiriye ibijanye n'ingene bashira k'urutonde rwa UNESCO **imico ndangakaranga ntakabakakabwa** Yarashikirije ibi bikurikira :

- Ibigize iragi ndangakaranga ntakabakakabwa
- Ivyisungwa kugirango umuco uje ku rutonde rwa UNESCO
- Ivyisungwa kugire umuco uje ku rutonde rugenewe imico yo kurata mu makungu
- Ingene « Fondation Intahe » yokwemererwa kuja m'Urwego mpuzamakungu rwa UNESCO (ivyisungwa, ingendo yo gusaba n'ibikorwa vyo muri urwo rwego rwa UNESCO)

6. **Umushingantahe NDUWAYO Onesphore** yatwibukije ingene bategura kandi batunganya imigambi yo kwiteza imbere

**Ivyo biganiro vyose biri inyuma y'iki cegeranyo (annexes)**

**Inyuma y'ivyo biganiro,** Habaye kubaza ibibazo ku batanze ibiganiro hamwe no kunganira kurivyo vyose vyashikirijwe

Mugusozera umunsi habaye ibikorwa vyo mu mirwi. Abatumiwe bagabuwe mu mirwi itanu (5), kugire bige ibibazo bashikirijwe n'abatanze ibiganiro maze batange inyishu kur'ivyo bibazo Umurwi wose wize ibibazo bibiri (2)

**Kur'ivyo bibazo vyose habonetse inyishu zikurikira:**

I***. Umurwi wa mbere***

*A) Hokorwa iki kugira ngo Abakenyezi n'Urwaruka biyumvemwo, bongere bahurumbire Urwego rw'Abashingantahe kuruta uko babikora uyu musi?*

- Guhimiriza no gukundisha Abakenyezi n'Urwaruka, Urwego ;
- Guhimiriza Abakenyezi n'abakiri bato batiwe, kwitoza mu nzego
- Guhimiriza Abagabo korohereza Abakenyezi babo kuja munama
- Gukomeza imigenderanire y'Abashingantahe bo mu ma Zone;

*B) Tora umugambi Abashingantahe borangura ngo biteze imbere*

- Kugwiza ama Club y'imico mu Rwaruka;
- Abavyeyi bosubira gukomeza indero yo kuziko ;
- Igihe c'urubanza rwo kwatira Urwaruka rworonka ikibanza.

**Umurwi wa II**

*A) Hokorwa iki kugirango inama z'Abashingantahe zame zifise akanovera kungero zose ?*

- Inama zoremeshwa n'Umukuru bitoreye ;
- Inama zose  zoba zifise ikirangamwanya kizwi na bose ;
- Hoba imigambi ifitiye akamaro abitaba inama ;
- Inama zoba zamenyekanishijwe hakiri hare ;
- Hokwama habonetse icegeranyo c'ivyavuzwe munama ;
- Hotangwa inkebuzo kubatitaba inama, vyanse abarongoye inama y'Abashingantahe bagakwirikiza ico amategeko avuga ;
- Hokwama hariho uwuremesha inama abishoboye ;

*B) Tora umugambi Abashingantahe borangura ngo biteze imbere*

- Korora inkoko, mugabo vyizwe neza n'abahaba ;
- Gukora imikate;

- Gushinga Cooperative ku Rwego rwa Komine canke Zone;
- Kurima ibizinu canke ibiti vy'ivyamwa.

**Umurwi wa III**

*A) Hokorwa iki kugirango Urwego rw'Abashingantahe rujane n'ibihe vya none mu kwiteza imbere muri vyose ?*

- Guhanahana amakuru igihe cose nko kuri whatsapp;
- Gusangira kenshi inyigisho zerekeye ibihe vya none;
- Gusangira imigambi n'Abahinga (Expert) babimenyereye ;
- Kwama hakozwe integuro y'ivyokorwa (Plan d'actions);

*B) Tora umugambi Abashingantahe borangura ngo biteze imbere*

- Gushinga Cooperative ku Rwego rwa Komine canke Zone;
- Gushinga Microfinance ku Rwego rw'Igihugu.

***Umurwi wa IV***

*A) Mufatiye ukungene ibikorwa vya gishingantahe birangurwa aho mutumbereye, ni izihe mpanuro mwotanga kugirango inama z'Abashingantahe zikorere ku mugaragaro bongere bamenyeshe ivyo bakora vyongere bigire uruhara mu gutsimbataza akarangamutima k'Ubushingantahe, imibano n'iterambere ry'Igihugu ?*

- Gutanga impanuro kenshi zo gukorera ku mugaragaro;
- Kwitaba inama igihe cose zihamagawe no gutanga intererano;
- Kurondera ikibanza Abashingantahe bahuriramwo;
- Kumenyesha ibikorwa bitegekanijwe;
- Kwama twashize kuri Site Web y'Abashingantahe ivyakozwe;
- Guhimiriza kenshi Abashingantahe kuza mu nama;
- Kwiha ikiringo ntabanduka co kumenyesha abari ku kivi.

*B) Tora umugambi Abashingantahe borangura ngo biteze imbere*

- Gukwiragiza hose Umugambi NAWE NUZE;

- Gushinga imigambi yo gushikiriza UNESCO mu Burundi;
- Gushinga imigambi yizwe neza bijanye naho tuba nka Garage.

***Umurwi wa V***

*A) Hokorwa iki kugirango Abashingantahe bakore imigambi y'iterambere?*

- Kugira ishaka ryo gukora;
- Kurondera kuvuga rumwe mu migambi twiyumviriye;
- Gutororokanya imigambi yo gushira imbere;
- Kwegeranya amahera akenewe ngo hashingwe umugambi.

*B) Tora umugambi Abashingantahe borangura ngo biteze imbere*

- Kuziganya no kuguranana;
- Gutera ama Avoka.

**Gusozera ibikorwa vy'ihuriro**

Inyuma yaho Umukuru w'Inama Nkuru y'Abashingantahe yarasozereye ihuriro ry'Abashingantahe baserukira abandi baba mu Gisagara ca Bujumbura bari mu Nama Nkuru y'Abashingantahe, abari mu Nama Nyobozi y'Ikigo Shigikirintahe, abarongoye inama y'Abashingantahe mu Gisagara na Zone za Mairie Bujumbura ya kera. Ahejeje gushimira abitavye ihuriro n'abatanze ibiganiro, yaratanze impanuro. Aha twovuga nk'izikurikira:

- Dutanguriye mu Rwego rwa Zone twokorera k'umugaragaro;
- Twobandanya turahurira uyu muco mwiza n'abandi;
- Twokwama twateguye imigambi yo kwiteza imbere;
- Twogendera impanuro twashikirijwe n'Umukurambere wacu;
- Twokumviriza abo bose ba twituye ataco turinze kubasaba;
- Twokwama tutsimbataza Ubushingantahe kuko turigenga;
- Twosangira n'abandi kuvyo twungutse;
- Twokwama tufise k'umutima ko Ubushingantahe bukenewe.

Inama yari yatanguye isaha zitatu (9h) zo mugatondo yasozerewe isaha cumi n'imwe n'iminota cumi nitanu (17h15) mu munezero ntangere

Uwafashe icegeranyo Uwarongoye ihuriro ryo kuwa 5/12/2025

Sé/RUVUZAKINONO Bernard Sé/NDAYIMIRIJE Diomède